IGISATA KIJEJWE UBUTUNZI N'UMUTEKANO CA ARIZONA
Umugwi ujejwe abageze mu za bukuru hamwe n'ibikorwa vyo kwakira impunzi (RRP)

# URWANDIKO RWO GUFASHA GUTAHURA

## GUSABA IMFASHANYO Y'UBUVUZI IGENEWE IMPUNZI

Nk'umuntu ari mu Mugambi wo Kuzana Impunzi (Refugee Resettlement Program): muri Arizona, uhawe uru rwandiko mu rurimi uhitamwo. Woba ushaka ko uru rwandiko rugusigurirwa mu rurimi wihitiyemwo, ubusiguzi uzobuhabwa mu gihe ubisavye.

Impunzi zose hamwe n'abandi bagenerwabikorwa baje muri Arizona barafise uburenganzira bwo kwandika basaba imfashanyo y'ubuvuzi igenewe impunzi (Refugee Medical Assistance, RMA). Imfashanyo y'ubuvuzi igenewe impunzi RMA ni umugambi w'uturusho tumara n'imiburiburi amezi icumi na biri ku mpunzi hamwe n'abandi bagenerwabikorwa bavyemerewe badashobora guhabwa ukwitegekaniriza mu buvuzi Medicaid muri Arizona (ukwitegekaniriza mu buvuzi), kuzwi kandi nk'uburyo bwo gufasha kuriha ikiguzi c'ubuvuzi ku bavyemerewe (Arizona Health Care System Containment System, AHCCCS), bakihashika kandi bagwa musi y'igipimo c'ubukene ca reta zunze ubumwe (Federal Poverty Level) ku rugero rwa 200%, canke bigeze kuba bafise ukwitegekaniriza mu buvuzi muri Arizona Medicaid ariko kwabaheranye bitewe n'amafaranga basigaye binjiza bayakuye aho bakora arenze urugero rusabwa kugira bemererwe ukwo kwitegekaniriza kwa Medicaid Arizona. Imfashanyo y'ubuvuzi igenewe impunzi RMA irashobora kurihira, ikiguzi c'ibikenewe mu buvuzi vyemejwe, vyemewe mu gihe kitarenga amezi icumi n'abiri inyuma yuko umuntu ashitse muri Reta Zunze Ubumwe za America canke gutanga icangombwa kikwemerera kuba impunzi (Office of Refugee Resettlement status), ibi bikaba bisigura ko uhabwa icangombwa c'umwimukira mu buryo bwemewe n'amategeko gituma wemererwa ibikorwa bigenewe impunzi. Mu gihe imfashanyo igenewe impunzi RMA itangwa gusa mu gihe kitarenga amezi icumi n'abiri, ibiyitangwamwo birasa n'ibitangwa mu mfashanyo ya AHCCCS. Ku yandi makuru yerekeye ibitanga mu mfashanyo ya AHCCCS urasabwa kuja ku rubuga rwa: https://www.azahcccs.gov/.

Urashobora kw'iyandikisha mu mfashanyo igenewe impunzi ya RMA biciye mu mfashanyo itangwa n': Ishirahamwe rijejwe kwakira impunzi rikwegereye (Local Resettlement Agency, LRA) risanzwe rigufasha mu buryo bw'amafaranga, umugwi Private Sponsor Group biciye muri Welcome Corps, canke ishirahamwe iryo ariryo ryose rigufasha mu bikorwa vyemewe mu migambi yo kwakira impunzi ya Arizona hifashishijwe ubuhinga bwa none bwo kubika amakuru (Arizona Refugee Resettlement Programs Online Database System, ARRPODS) Imigwi iyo ariyo yose muri iyo canke/amashirahamwe arashobora gutanga ubusabe bw'imfashanyo y'ubuvuzi igenewe impunzi mw'izina ryawe mu gihe ivyipfuza. Ikindi ni uko, igihe imfashanyo yawe ya AHCCCS imaze kugenwa, AHCCCS izosangiza ayo makuru yo gutandukana na RRP, hanyuma ubuhinga bwikoresha bwa RRP burashobora kwukwandika buno nyene muri RMA muri ako kanya nyene mutandukanye na AHCCCS. Mu gutera igikumu kuri uru rwandiko rusaba kwemererwa, wewe wemeje kandi wemeye kwiyandikisha muri RMA mu gihebizwi neza ko utemerewe muri AHCCCS kandi ukiri hagati y'ukwezi kwa 1 n'ukwa 2 ukimara gushika canke guhabwa icangombwa cerekana uburyo ubaye mu gihugu.

Iyo wemerewe guhabwa uturusho twa RMA, uca uhabwa ikarata ya RMA yerekana ivyo wemerewe harimwo n'igihe uturusho tuzotangurira gutangwa n'igihe tuzoherera. Urafife uburenganzira bukurikira hamwe nivyo utegerezwa nk'uwasavye kwemererwa imfashanyo ya RMA:

- Uburenganzira bwo kwemererwa guhabwa imfashanyo ya RMA yawe mu gihe c'imisi 30 uhereye igenekerezo wateye igikumu usaba uku kwemererwa, canke ku gihe mutandukaniye na AHCCCS bitewe n'amafaranga usigaye winjiza ukuye mu kazi ukoramu gihe AHCCCS yamaze kumenyesha ayo makuru RRP.
- Uburenganzira bwo gufashwa mu bikorwa wemerewe hisunzwe amategeko ya reta zunze ubumwe hamwe n'aya reta kandi hashingiwe ku bikorwa Bihari hamwe n'amafaranga ntarengwa.
- Utegerezwa kumenyesha amakuru yose afise ingaruka kuri uku gusaba kwemererwa hamwe no kuyamenyesha uwujejwe ingorane yawe mu gihe c'imisi itanu ku mpinduka izo arizo zose zijanye n'uburyo ubayeho zishobora kugira ingaruka ku kwemererwa kwawe (nk'akarorero, ukwimuka burundu uva muri Arizona, impinduka zijanye n'amafara winjiza, n'ibindi)
- Utegerezwa kugira utwigoro two gukorana n'amashirahamwe yose kugira ushobore kwemererwa. Wemeye itohoza ku makuru yose watanze kugira wemererwe, harimwo ugusaba amakuru abakoresha bawe, abaganga, hamwe n'abandi badandaza hamwe n'abikorera ivyabo. Wemeye kandi isuzuma ry'amakuru yo mu yandi mashirahamwe.

Uhawe ifishe ijanye n'ibikorwa vyo kwakira impunzi: ______________________________

## UGUSABA KWEMERERWA VYARUNGITSWE

Jewe *(icabona/uwujejwe ingorane)* ______________________, narasuzumye iyi ngorane kandi ndemeza ko natanze ubusabe bubereye bwa RMA muri ARRPODS mw'izina ry'uwusaba kwemererwa, mu gihe bikorwa.

| Amazina Y'abasavye RMA |
|---|
| |
| |
| |
| |
| |
| |

# URWANDIKO RWO GUFASHA GUTAHURA

## GUSABA KWEMERERWA UBUVUZI BUHABWA IMPUZI

Nk'umuntu ari mu Mugambi wo Kuzana Impunzi (Refugee Resettlement Program) muri Arizona, uhawe uru rwandiko mu rurimi uhitamwo. Woba ushaka ko uru rwandiko rugusigurirwa mu rurimi wihitiyemwo, ubusiguzi uzobuhabwa mu gihe ubisavye.

Uremerewe gusaba kwemererwa imfashanyo y'ubuvuzi ihabwa impunzi (Refugee Medical Screening, MS). MS itangwa mu misi 90 inyuma yuko ushitse canke ugahabwa icangomwa cemewe n'amategeko gituma wemerwa kandi harimwo ibipimo vyo ku mubiri, kahise k'ubuvuzi, incanco, ibipimo vyo muma suzumiro, hamwe no gupimwa ingwara zandukira. Harimwo kandi ibipimo vyo guca mw'iradiyo wipimisha mu gikiriza. Iyi mfashanyo y'ubuvuzi itangwa ku buntu kuri wewe. Ihangiro ry'ibi bipimo ni ugukurikirana ingwara izo arizo zose bigeze kugutora ukiri hakurya y'amazi mu bipimo bagukoreye, ko wakorewe ivyo bipimo, hamwe no mu kumenya impungenge nshasha ku magara yawe zishobora kuba ingorane zo kuba mu gihugu uroraniwe. Ni ukwidondora mu bijanye n'amagara y'abantu, hanyuma uzoronswa urupapuro rukurungika ku muganga wo mu buvuzi bw'intango hamwe n'umuhinga uwo ariwe wese ushobora kuba ukeneye.

Ishirahamwe ryakira impunzi rikwegereye (Local Resettlement Agency, LRA) ryagufashije, umugwi Private Sponsor Group wingenga ugufasha biciye muri Welcome Corps, canke ishirahamwe iryo ariryo ryose ririko rirakwandika muri ARRPODS, rirashobora kurungika ubusabwe bwo kwiyandikisha muri MS mw'izina ryawe. Umugambi wo kwakira impunzi wa Arizona (RRP) urekana ibisabwa mu kwemererwa imfashanyo ihabwa impunzi MS.

Kugira urungikwe ku wujejwe gutanga imfashanyo mu buvuzi igenewe impunzi MS, utegerezwa guha uburengazira RRP bwo guhuza ibikorwa n'abaguserukira. Utegerezwa kandi gutanga uburenganzira kuri RRP bwo kurungika amakuru yawe kubajejwe gutanga imfashanyo y'ubuvuzi ya MS. Hepfo, urashobora kwerekana ko utanze uburenganzira canke uvyanse kuri iki gikorwa.

Urasabwa kuraba hepfo:

☐ Ndipfuza kuronswa amasuzuma y'ubuvuzi. ☐ Ndahakanye amasuzuma y'ubuvuzi.

Mpisemwo ______________________________________________________, amahitamwo akurikira azokwemerera canke ntiyemerere RRP kwakura ishirahamwe ndonkeramwo ibikorwa vy'imfashanyo yo kwakira impunzi kugira ihuze ibikorwa.

☐ Ntanze uburenganzira ☐ Nta burenganzira ntanze

Jewe ______________________________________________________, mpisemwo amahitamwo akurikira azokwemerera canke ntiyemerere RRP kurungika amakuru ajanye naho bondonderera, amakuru yanje bwite, amatohoza ku bijanye no kwemererwa, hamwe naho mbarizwa/ubwanje/amakuru ajanye n'amatohoza yo kwemererwa y'abantu bose ntunze bavuzwe mu gice c'ubusabe kiri hepfo, k'uwujejwe gutanga imfashanyo y'ubuvuzi ya MS mu gihugu canje, biciye muri AARRPODS, kugira banfashe kwuzuza ibijanye n'imfashanyo y'ubuvuzi ya MS yanje. Ndafise uburenganzira bwo guhakana ukwo guhanahana amakuru yanje bwite bikozwe na RRP mw'izina ryanje, kandi ukurungikwa mw'isuzuma bizoba biciye mu bundi buryo bwo bw'imbona nkubone.

☐ Ntanze uburenganzira ☐ Nta burenganzira ntaze

Jewe ______________________________________________________, mpisemwo amahitamwo akurikira azokwemerera canke ntiyemerere RRP kurungika amafoto yanje hamwe n'amafoto yabo ntunze bavuzwe mu gice c'ugusaba kwemererwa kiri hepfo, kuwujejwe gutanga imfashanyo y'ubuvuzi ya MS akorera Mu gihugu canje, biciye muri ARRPODS, kugira noroshe ukwuzuza ibisabwa mu guhabwa imfashanyo ya MS yanje. Abafotora bashobora gukoreshwa gusa mu gufasha uwujejwe gutanga imfashanyo ya MS mu kumenya umugenerwabikorwa

☐ Ntanze uburenganzira ☐ Nta burenganzira ntanze

# URWANDIKO RWO GUFASHA GUTAHURA

## UGUSABA KWEMERERWA VYARUNGITSWE

Jewe *(icabona/uwujejwe ingorane)* ________________________________________, narasuzumye iyi ngorane kandi ndemeza ko natanze ubusabe bubereye bwa MS muri ARRPODS mw'izina ry'uwusaba kwemererwa.

| AMAZINA Y'ABASABA KWEMERERWA AMASUZUMA MU BUVUZI |
|---|
| |
| |
| |
| |
| |
| |
| |

## IBIKUMU/UKWEMEZA

Ndemeza ko ndi impunzi canke ndi uwundi mugenerwabikorwa yemerewe kandi yemewe muri reta zunze ubumwe hisunzwe itegeko rigenga impunzi ryo muri 1980 (Refugee Act of 1980), risaba ibikorwa bitangwa RRP kandi ko amakuru ntanze kuri iyi fishe ari ukuri nkuko ndayazi.

Igikumu c'uwusavye kwemererwa: ________________________________________ Igenekerezo: ____________

Umurezi/Uwumuserukira mu buryo bwemewe n'amategeko: ________________________________ Igenekerezo: ____________

Ico apfana n'umugenerwabikorwa akiri umwana: ________________________________________

Umukono w'umusiguzi: ________________________________________ Igenekerezo: ____________
*(IMu gihe umusiguzi y'iyamirijwe, urasabwa kwinjiza "N/A" haruguru)*

Umusiguzi ariyamirijwe *(Umugenerwabikorwa atera igikumu ngaha):* ______________________________ Igenekerezo: ____________

# URWANDIKO RWO GUFASHA GUTAHURA

## IBIKORWA VY'UMUGAMBI WO KWAKIRA IMPUNZI KWITAHO BURI MPUNZI HAMWE N'IBIJANYE NO

Nka kimwe mu bikorwa ukorerwa, umugambi wo kwakira impunzi (Refugee Resettlement Program, RRP) canke uwasinye amasezerano y'ibikorwa uwo arwe wese na RRP agukorera ibikorwa arashobora kukurungika kuronderera ivyo bikorwa ku bandi babikora bafashwa na RRP. RRP canke abo basinyanye amasezerano bazokurungika babicishije mu buhinga bwa none umugambi w'ubuhinga bwa none bwo kubika amakuru y'Impunzi zakirwa muri Arizona (Arizona Refugee Resettlement Program Online Data System, ARRPODS). Ugusangira amakuru harimwo aho bokuronderera, amakuru bwite, amakuru ajanye no kwemererwa hamwe n'amafoto y'umugenerwabikorwa. Urafise uburenganzira bwo guhakana ihanahana ry'amakuru nk'amakuru yawe bwite bikozwe mw'izina ryawe na RRP canke uwo basinyanye amasezerano yo gukora ibikorwa, hanyuma ukwiyandikisha kugashobora kuba biciye mu bundi buryo bw'imbona nkubone.

Jewe ______________________________________________________, mpisemwo amahitamwo akurikira azokwemerera canke ntiyemerere RRP kurungika amakuru ajanye naho bondonderera, amakuru yanje bwite, amatohoza ku bijanye no kwemererwa, hamwe naho mbarizwa/ubwanje/amakuru ajanye n'amatohoza yo kwemererwa y'abantu bose ntunze bavuzwe mu gice c'ugusaba kwemererwa kiri hepfo biciye kuri ARRPODS, kugira boroshe ukwiyandikisha kwanje mu buryo bwo gufasha impunzi bwa RRP hamwe/canke mu bijanye no kundonderera akazi mu gihe nsavye ibikorwa bitangwa n'uwundi yasinyanye amasezerano na RRP.

☐ Ntanze uburenganzira ☐ Nta burenganzira ntanze

Jewe ______________________________________________________, mpisemwo amahitamwo akurikira yemerera canke ntiyemerere RRP kurungika amafoto yanje hamwe n'amafoto yabo ntunze bavuzwe hepfo, kuri RRP kubijanye no gufashwa nk'impunzi hamwe no mu bikorwa vyo kundonderera akazi, biciye muri ARRPODS. Amafoto akoreshwa gusa mu gufasha abakorana na RRP mu gufasha kumenya umugenerwabikorwa.

☐ Ntanze uburenganzira ☐ Nta burenganzira ntanze

| AMAZINA YABO UTUNZE |
|---|
| |
| |
| |
| |
| |
| |
| |

## GUSANGIZA AMAKURU N'ABO MUKORANA MUDAFITANIYE AMASEZERANO CANKE

Mu gihe uriko urakorerwa ibikorwa, urashobora guha RRP canke uwo bafitaniye amasezerano/uwo atayo bafitaniye uburenganzira bwo gusangiza amakuru yawe bwite, hamwe nay'abo utunze bavuzwe hepfo, hamwe n'umuntu adafitaniye amasezerano na RRP akorana nayo mu bikorwa canke uturusho tw'imigambi kugira RRP ishobore kugufasha mu kwiyandikisha mu bikorwa hamwe n'uturusho. Mu gusangiza aya makuru, RRP canke uwo bafitaniye amasezerano na RRP/uwo badafitaniye amasezerano y'ibikorwa bisaba ko uvyemera mu buryo bwanditse. Hepfo urashobora kwandika abafatanyabikorwa canke imigambi itanga uturusho uzokwemerera ko RRP canke uwo bafitaniye amasezerano/canke batayafitaniye gusangiza amakuru yawe.

| UMUFATANYABIKORWA IZINA RY'UMUGAMBI UTANGA UTURUSHO | IGIKORWA CANKE UBWOKO BW'AKARUSHO BUTANGWA |
|---|---|
| | |
| | |
| | |
| | |
| | |
| | |

IGISATA KIJEJWE UBUTUNZI N'UMUTEKANO CA ARIZONA
Umugwi ujejwe abageze mu za bukuru hamwe n'ibikorwa vyo kwakira impunzi (RRP)

# URWANDIKO RWO GUFASHA GUTAHURA

## IBIKUMU/KWEMEZA

Ndemeza ko ndi impunzi canke ndi uwundi mugenerwabikorwa yemerewe kandi yemewe muri reta zunze ubumwe hisunzwe itegeko rigenga impunzi ryo muri 1980 (Refugee Act of 1980), risaba ibikorwa bitangwa na RRP kandi ko amakuru ntanze kuri iyi fishe ari ukuri nkuko ndayazi.

Igikumu c'uwusavye kwemererwa: ______________________________ Igenekerezo: ____________

Umurezi/Uwumuserukira mu buryo bwemewe n'amategeko: ______________________________ Igenekerezo: ____________

Ico bapfana n'umugenerwabikorwa akiri umwana: ______________________________

Umukono w'abasobanuzi: ______________________________ Igenekerezo: ____________
*(Mu gihe ubusiguzi bwiyamirijwe, urasabwa kwinjiza "N/A" haruguru)*

Umusiguzi y'iyamirijwe *(Umugenerwabikorwa atera igikumu ngaha)*: ______________________________ Igenekerezo: ____________

Umukoresha atanga amahirwe angana/Porogarama • Imfashanyo zisanzwe hamwe n'ibikorwa biraboneka mu gihe bisabwe ku bantu bagendana ubumuga • Kugira usabe uru rwandiko rwanditse mu bundi buryo canke ku yandi makuru yerekeye iyi politike, akura umugwi ujejwe abageze mu zabukuru hamwe n'ibikorwa vy'abakuze kuri 602-542-4446; TTY/TDD 7-1-1